# KWANDURA UMUGERA W'IGITUNTU BICIYE MU MAZURU (LTBI)

(LATENT TUBERCULOSIS INFECTION (LTBI))



**Umugera w'igituntu, canke ''TB'', ni ingwara iterwa n'imigera yitwa *Mycobacterium tuberculosis* bacteria. Hari uburyo bubiri bwo kwandura imigera y'igituntu (TB): Latent TB infection (Kwandura igituntu biciye mu mazuru (LTBI)) hamwe n'ingwara y'igituntu (TB). Umugera w'igituntu (TB), canke ingwara y'igituntu (TB), ni mu gihe imigera y'igituntu (TB) iriko irakura mu mubiri wawe kubera ko uburyo bwo kwirinda bw'umubiri wawe budashobora kuyibuza gukura. Iyo migera igatuma ugwara.**

**Kwandura umugera w'igituntu (TB) biciye mu mazuru LTBI bisigura ko ufise imigera y'igituntu mu mubiri wawe naho utoba uratangura kugwara. Iyo ufise imigera y'igituntu LTBI, ntiwunva ko ugwaye kandi ntushobora gukwiragiza imigera y'igituntu ku bandi bantu. Ariko, imigera y'igituntu (TB) irashobora gukomera mu mubiri wawe hanyuma igatangura gukura. Iyo ibi bishitse uzova mu kugira imigera y'igituntu (TB) isanzwe LTBI uje mu kugwara ingwara y'igituntu (TB). Iyo ugwaye ingwara y'igituntu (TB), urashobora kugwara cane hanyuma ugakwiragiza ingwara y'igituntu (TB) ku bandi bantu.**

## Ni gute no kwandura imigera y'igituntu LTBI?

- Imigera y'igituntu (TB) yandukira biciye mu mpemu ikava ku muntu umwe ija ku wundi. Imigera y'igituntu (TB) ishigwa mu mpemu iyo umuntu agwaye igituntu (TB) akoroye, atwenze, aririnvye canke yasamuye. Iyo uhemye impemu z'irimwo imigera y'igituntu (TB), urashobora kwandura imigera y'igituntu LTBI.
- **Ntushobora** kwandura igituntu (TB) biciye mu kuramukanya mu ntoke, kwicara ku cicaro c'itwarete, canke gusangira ibifungurwa hamwe n'ibinyobwa mukoresheje ibikoresho bitandukanye.
- Ntuzigera umenya ko ufise imigera y'igituntu LTBI kiretse mugihe ukorewe isuzuma ry'igituntu (TB) ryo ku mubiri canke mu maraso.
- Mu gihe itavuwe, imigera y'igituntu LTBI irashobora guhinduka ingwara y'igituntu (TB).

## N'ayahe masuzuma ashobora kuboneka ku migera y'igituntu LTBI?

- Isuzuma ry'igituntu (TB) ku mubiri (Mantoux test) canke isuzuma ry'igituntu (TB) ryo mu maraso bizokwerekana ko ushobora kuba ufise imigera y'igituntu (TB) mu mubiri wawe.
- Mu gihe isuzuma ry'igituntu (TB) ku mubiri canke mu maraso ryerekanye ko wanduye (TB), umuganga wawe arashobora kandi kugusuzuma akoresheje iradiyo kugira arondere ibimenyetso vy'ingwara y'igituntu (TB).
- Mu gihe isuzuma ry'iradiyo riterekanye ibimenyetso vy'ingwara y'igituntu (TB) kandi ukaba utagwaye, uzoca upimwa imigera y'igituntu LTBI.

## Ni gute nzomenya ko nfise imigera y'igituntu LTBI?

- Mu kwisuzumisha kenshi igituntu (TB) ku mubiri no mu maraso (TB)
- Mu kwisuzumisha kenshi igituntu uciye mw'iradiyo
- Iyo ata migera y'igituntu (TB) basanze mu masuzuma ya sputum (phlegm)
- Mu gihe udashobora kwandukiza imigera y'igituntu (TB) abandi bantu
- Mu gihe wunva ko utagwaye



P-42099BRN (01/2020)

## Ni gute imigere y'igituntu (LTBI) ivugwa?

*Hari imiti ushobora gufata mu kwirinda kwandura ingwara y'igituntu (TB). Iyo miti yica imigera y'igituntu (TB) imbere yuko ishobora kugutera ingwara. Muri iki gihe hari uburyo butatu bwo kuvura ingwara y'igituntu:*

- Umuti wa Isoniazid (INH) hamwe na rifapentine ifatwa rimwe mu ndwi mu gihe c'amezi 3.
- Umuti wa Rifampin ufatwa buri musi mu gihe c'amezi 4.
- Umuti wa Isoniazid (INH) ufatwa buri musi mu gihe c'amezi 6-9.

**Ubu buryo butandukanye bwo gufata imiti bwose burakora neza. Vugana n'umuganga wawe kugira umenye uburyo bukubereye. Isuzuma ryo mu gikiriza uciye muri radiyo rirasabwa imbere yo gutangura imiti, kandi rimwe na rimwe isuzuma ryo mu maraso rirakorwa mu gusuzuma ukugene igitigu cawe gikora. Irinde kunywa inzoga, umuvinyu, canke wisiki mu gihe uri ku miti.**

## N'izihe mpanuro ku ngaruka ziterwa n'imiti ntegerezwa gusaba?

*Cokimwe n'imiti iyo ariyo yose, imiti ikoreshwa mu kuvura ingwara y'igituntu LTBI irashobora guteza ingaruka zitipfuzwa. Abantu bamwe na bamwe barafata imiti y'igituntu (TB) ata ngorane izo arizo zose bagize.* ***Akura canke uje kuraba umuganga wawe mu gihe ugize iyo ariyo yose muri izi ngaruka:***

- Iseseme* canke kudahwa
- Kuribwa mu mushishito
- Amasobe y'ijimye (asa n'icayi canke ikawa)
- Amaso asa n'umuhondo canke urukoba
- Kwunva utaroraniwe mumubiri hamwe no kuribwa mu ntoke canke amano
- Gufurutirwa canke kuribwa k'umubiri
- Gukorora mu gihe kirenga indwi 3
- Kubira ivyuya mw'ijoro
- Guhema bigoranye canke guhirira

*Abantu bamwe na bamwe baragira iseseme nkeyi mu gihe batanguye gufata ibinini. Mu gihe ibi bigushikiye, gerageza kumirisha ibifungurwa bike ibinini vyawe canke ubifate mu gihe co kuja kuryama. Mu gihe ubandanije kugira iseseme inyuma y'imisi itatu, akura umuganga wawe.

## N'iki ntegerezwa kwibuka mu gihe ndiko ndafata imiti y'igituntu LTBI?

- Ni nkenerwa canke gufata imiti y'igituntu (TB) yawe nkuko wayandikiwe na muganga wawe. Mu gihe usivye gufata umuti imisi myinshi, umuti ntuzokora. Mu gihe usivye gufata umuti imisi iyo ariyo yose, yandike ahantu kugira ushobore kuyibwira umuganga wawe hamwe n'umuforoma kw'isango muzosubira guhurirako.
- Bandanya ufata imiti gushika igihe umuganga wawe akubwiriye ko ushobora kuyihagarika.
- Ikingire wewe ubwawe, umuryango wawe, hamwe n'abagenzi bawe igituntu (TB) mu gufata imiti yawe yose y'igituntu (TB).
- Uburyo bwonyene bwo gukira imigera y'igituntu (TB) ni ugufata imiti y'igituntu (TB).